Umuhero w'isi, ntuzoshika izuba ritabanje guserukira mu burengero bwaryo; igihe rero ryaserukiyeyo abantu bose bazoca bemera

Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Umuhero w'isi, ntuzoshika izuba ritabanje guserukira mu burengero bwaryo; igihe rero ryaserukiyeyo abantu bose bazoca bemera; ico ni co gihe Imana Allah Ivugako Iti: {Ico gihe kigeze, ukwemera kw’umuntu atigeze yemera imbere y’ico gihe, nta co kuzomumarira. Aramutse yemeye naho, ibikorwa vyiza atigeze akora imbere y’ico gihe, nta co bizomumarira} [Al-An'aam: 158]; ni ukuri umuhero w'isi uzogera usange abagabo babiri bariko bacirirana igiciro c'impuzu, ntibazoheza ngo baheraheze ubuguzi hagati yabo, eka ntibazonaronka akanya ngo bazinge nya mpuzu; ni ukuri umuhero w'isi uzogera usange umuntu yagiye gukama ingamiya yiwe, ntazoheza ngo anywe amata yayo; ni ukuri umuhero w'isi uzogera usange umuntu ariko arasanura urugomero rwiwe, ntazoheza ngo arunyweko; ni ukuri umuhero w'isi uzogera usange umwe muri mwebwe agejeje utwo atamira ku munwa, ntazoheza ngo adufungure".

[صحيح] [متفق عليه]

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze ko mu bimenyetso bikurubikuru vy'umuhero w'isi, ari uko izuba rizoserukira mu burengero ha guserukira mu buseruko; n'uko igihe abantu babonye ivyo bishitse bazoca bemera bose, ico rero, ni co gihe ukwemera kw'uwahora ari umugararizamana imbere yuko bishika, ata co kuzomumarira; eka n'ibikorwa vyiza cibure ukwigaya ku vyaha bizokorwa mu nyuma yuko bishitse, ntibizokwemerwa. Hanyuma Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaravuze ko umuhero w'isi uzoshika giturumbuka; ku buryo uzogera usanga abantu bibereye mu mirimo yabo ya misiyose y'ubuzima; maze ushike usanga umuguzi n'umugurisha bamaze kwanda impuzu, ntibazoheza ngo baheraheze urudandazwa rwabo, eka ntibazonaronka n'akanya ngo bazinge nya mpuzu; umuhero w'isi uzoshika maze usange umuntu afise mu minwe amata akamye ku ngamiya yiwe, ntazoheza ngo ayanywe; umuhero w'isi uzoshika, usange umuntu ariko arasanura urugomero rwiwe, ntazoheza ngo anywe kuri nya rugomero; umuhero w'isi uzoshika, usange umuntu ashikanye utwo atamira ku munwa, ntazoheza ngo adufungure.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/65026